ASeTTS
Assisting Torture
and Trauma Survivors

Woba warigeze, canke umuntu uzi yaba yarigeze:

- Kubaho ubudahengesha mubwoba n'ugutotezwa.
- Kwirabira abagize umuryango bagirirwa nabi, bafatwa kunguvu canke bicwa.
- Guhunga aho wamye mubwoba kugira batakwica, akenshi ugasiga abiwawe canke abiwanyu.
- Kwihanganira ubukene n'ibifungurwa bikenya munkambi imyaka minshi.
- Gutura mugihugu gishasha udafise inshuti, umuryango kandi urwana n'ururimi rushasha n'imicho mishasha.

Nimba ar'uko, **ASeTTs** ishobora kugufasha. **ASeTTS** itanga infashanyo kumpunzi zahuye n'ugutotezwa canke uguhababuka, itaraba ibara ry'urukoba, idini canke politiki umuntu yemera.

Kugira ngo urungike umuntu, uwirungike ukwawe canke kugira urondere gutahura ivyo **ASeTTS** ikorera abantu, uhamagare izi nomero: 9227 2700, kandi ubaze umukuru uri kukazi, aba ariho kuva isaha zitatu zamugatondo kushika isaha icumi n'igice z'okumataga, kuva kumunsi wa mbere gushika kumunsi wa gatano.

Parking aho bishura amahera iri kuri Stirling Street naho baparika imiduga kuri Brisbane Street.

Amabasi 21, 60,66,67,68,69 na 401 araja kuri **ASeTTS** avuye kuri basi stop yo kuri Museum kuri Beaufort Street.

286 Beaufort Street, Perth,

Western Australia 6000

Ph: 08 9227 2700

Fax: 08 9227 2777

Web: www.asetts.org.au

Email reception@asetts.org.au

ABN 83 460 231 835

UGUFASHA ABAROKOTSE UGUTOTEZWA N'UGUHABABUKA KUVA KUGUTOTEZWA

Ivyo ASeTTS ikorera abantu

ASeTTS
Assisting Torture
and Trauma Survivors

KAZE KURI ASETTS

ASeTTS ikorana n'impunzi n'abantu bajakumera nkazo barokotse gutotezwa n'uguhababuka. Turabakorera ibikorwa vyinshi harimwo impanuro n'ibindi vyo guteza kominote imbere. Ntitubacha amahera kubera ivyo tubakorera.

IKYO WOKWITEGA NKUMUNTU MUSHASHA ASeTTS IZOZA IFASHA

Nkumuntu mushasha ASeTTS izoza ifasha wokwitega ko boraba ibintu ukeneye ukubwaye kugira batahure infashanyo ukwiriye guhabwa. Kubera abantu abenshi bakeneye ibyobikorwa vya ASeTTS rimwe na rimwe hazoba igihe c'ukurindira kugira uronke infashanyo. Nimba ASeTTS idashobora kugufasha, tuzogerageza kurondera ishirahamwe ryogufasha hanyuma tukagufasha kugirango bakwakire.

IKYO TWOSABA ABANTU DUFASHA

- Muzoze mushika kugihe kuri rendez-vous kandi mutumenyeshe byabura amasaha 24 imbere nimba mutazoboneka kuri rendez-vous.
- Ntimukaze mwaborewe n'inzoga canke ibiyobya mwenge.

UBURENGANZIRA BWAWE NK'UMUNTU ASeTTS IFASHA

- Icubahiro akanya kose
- Ukuguma kw'ibanga
- Ukuronka umusemuzi
- Inyishu ikwiriye bakurikije ingorane zawe n'impanuro wahitsemwo
- Uguhitamwo ivyo urondera bagukorera
- Ugishika ukuvyo urondera bagukorera igihe cose ushaka
- Uburenganzira bw'ugusaba ko bakurungika uku muntu uguha impanuro nimba ariho
- Inyishu ikwiriye kandi yihuta igihe abantu bitotomba kubera amabanga ataranguwe neza.

UBURENGANZIRA BWAWE KUBONA INYISHU IGIHE WITOTOMBA

Niba utanejejwe n'ingene ASeTTS igukorera, utubabarire umenyeshe umuntu ugufasha kugirango agerageze kwikosora. Nimba bidashoboka, ushobora kurondera rendez-vous (appointment) y'inyegeje kuri reception uvugana n'umukuru wabakozi. Azogerageza kutohora ingorane n'ukuyitorera inyushu hanyuma anandike ivyo muzokwumvikanako.

Nimba ingorane itaronse inyishu, umutegetsi w'abakozi (Manager) azojana ukwitotomba kwawe kwa diregiteri kungirango uyage nawe kuri iyo ngorane. Nawe niyiyumvira ko ishiramwe ridashobora kuyirangiza, azoyirungika ku cicaro ca ba diregiteri bose kugira barondere inyishi bakwandikira.

ASETTS N'IBANGA RYAWE

KUKI DUKENEYE AMAKURU?

Tubaza amakuru akuraba kugirango dushobore kugukorera tukurikije ivyo ukeneye. Dukoresha ayamakuru dukurikije ivyatumye tuyarondera kandi ufise uburenganzira bw'oku yashikira igihe cose woyakenera (nkuko birangurwa mumategeko ayobora amabanga).

NINDE WEMEWE KUBONA AMAKURU ARABANA NAWE?

Kugirango ushobore gufashwa na ASeTTS dukeneye gutanga amakuru yerekeye igitsina n'imyaka yawe ukubo baduha amahera. Ivyo ntibishizemwo amateka yawe yose canke ivyo uzoba watuhishuriye umukiganiro.

Imbere yuko amakuru twaronse dukora yamenyeshwa uwundi muntu, tuzokenerako woduha uruhusha wanditse kurupapuro. Dushobora guhishura ivyo watubwiye tudafise uruhusha rwawe igihe tubonako wohava ukomereka canke uwundi akakomereka.

IVYO ASETTS IKORA KURINDA UMUTEKANO

Amukuru akwerekeye abikiwe ahantu hafunze kandi hachunzwe kandi hashikwa n'abakozi ba ASeTTS gusa. Amakuru ari kuri computer (ordinateur) arachunzwe n'ijambo rinyegejwe rizwi n'abakozi bake baryemerewe.

Nimba urondera kumenya vyinshi vyerekeye amategeko arabana n'amabanga, urabe kuri website www.privacy.gov.au